AMATEGEKO Y'UMURYANGO WA SIKAPULARI Y'UMUGABEKAZI WA KARUMELI

UMURYANGO W'ABANYASIKAPULARI MU RWANDA NO MU BURUNDI

INTANGAMARARA

Imana mu gushaka kwayo, mu mugambi wayo wo gukiza abantu bose yarerekanye mu buryo butandukanye urukundo ibafitiye. Mu kurema umuntu imwishushanijeko**(Amamuko 1,26)** Imana yari yamugeneye gusangira ku rukundo ku bwarwo mu butatu bweranda Data akunda Mwana ubutacisubirako muri Mutima Mweranda.Umuntu amaze gucumura mu kutubaha Imana, Imana ntiyaciye imuheba.yaramurungikiye umwana wayo w'ikinege nk'umukiza kugirango amucungure yongere amusubize mu bunywanyi bwiwe bw'urukundo. Igihe gishitse uwo mukiza yibarutswe n'umugore(Abagalati4,4) araheza asubiza umuntu wese mw'iteka ryiwe. Kandi mu gihe yariko arasozera igikorwa cari camuzanye niho yaduha Umuvyeyi wiwe(Yohani19,25-27) kugirango mu kwigana imigenzo myiza yiwe tumwigireko gukora ivyo umwana wiwe atubwira(Yohani2,5).

Karumeli n'Umuryango w'abihebeye Imana,ubuzima bwawo bushimikiye k'ukwihweza Kristu n'ukuninahaza Umuvyeyi wiwe.Abihwezamana bambere babaye k'umusozi Karumeli mu kinjana ca 12 na 13 bisunga Yezu-Kristu bakingiwe n'Umuvyeyi Bikira Mariya.Mu nyubakwa babamwo ku musozi wa Karumeli barazirikana ijoro n'umutaga ijambo ry'Umukama bihweza igikorwa Imana yaranguye bisunze ivyabereye kuri uwo musozi Karumeri na cane cane ubutwari n'ubweranda vyaranze umuhanuzi Eliya, bashaka kwihweza Imana nyeranda kandi y'ukuri. Vyongeye agacu kaduga kunkengera z'ikiyaga(1Abami18,44)nk'umutwenzi uzobabera nk'ishurwe ryameze mu murima w'Imana ariwo Karumeli. Nico gituma kuva ico gihe gushika ubu Karumeli uko yakabaye ni iya Mariya.

Abihwezamana bambere bo ku musozi Karumeli bahimbarwa n'ukwitwa **«Abafurera b'Umuhimbazwa Bikira Mariya wo ku musozi Karumeri»**Umubikira bigiyeko kuzirikana ivyabaye n'ukubizigama mu mitima yabo nk'uko nawe yabigize(Luka2,19.51).

Kubera ibihuhusi vyinshi vyabashikiye bashimye kuva kw'isi nyeranda bahungira i Buraya. Aho hantu hashasha bari bimukiye vyarabagoye kuhamenyera,abafurera barahagiriye intege nke n'Umuryango nyene utangura kuzimangana. Ku bw'igisabisho c'uwari umukuru wawo ico gihe(Simoni Sitoki)Bikira Mariya yaramubonekeye amwemerera ko igisabisho ciwe cumviwe abafasha kugumya ikibanza muri ivyo bihe bitari vyoroshe. Bikira Mariya aca abaha Isikapurari nyeranda nk'ikimenyetso kiboneka c'inkinzo y'Umuvyeyi.

Abakuru b'Ekleziya baremeje agaciro k'ico kimenyetso, ko atari umwambaro usanzwe w'inyuma gusa ariko ari ikimenyetso kimenyesha ko Umuvyeyi ari kumwe nabo ari naco kibashira mu kinyegezwa c'urukiza rw'Umwana wiwe. Isikapurari iri n'agaciro mu vy'umutima, hambavu y'uko idukiza umuriro udahera iratwereka ko kubw'ibatisimu twiyambitse Kristu kandi ko tukiri ngaha kw'isi dusangiye ubuzima nawe. Ni vyo aberanda bose ba Karumeli bategereye neza kuva kuri Simoni Sitoki gushika n'ubu biciye kubavuguruye Karumeli mu kinjana ca17, Tereza wa Yezu na Yohani w'Umusaraba.

Iryo tunga rya Karumeli, iyo ntabonwa inyegeje mu murima Karumeli ntiyagenewe abakarume n'abakarumerita gusa babayeho muri ubwo buzima bwa Karumeli nk'abihayimana n'abihwezamana. Hambavu y'iyo migwi ibiri hariho n'abakristu b'abalayike biyemeza mu buzima bwabo kubaho nk'uko Inkuru Nziza ibisaba,mu bworo, mu bugamburutsi n'ubwerentegerwa nk'uko itegeko rya Karumeli ribivuga kumwe n'inyigisho zakurikiye z'aberanda ba Karumeli; gutyo rero abafurera,abihwezamana n'abalayike bose hamwe bagize Umuryango umwe wa Karumeli ugizwe n'amashami atatu.

Iryo tunga ry'umutima ntiryagenewe abari mu Muryango wa Karumeli gusa hari Imiryango myinshi y'abihebeye Imana n'iy'abihwezamana hamwe n'imiryango irangura ubutumwa butandukanye yisunga akarangamutima ka Karumeri. Karumeli rero n'Umuryango wagutse aho bose bavoma kw'isoko rimwe umuryango wose ukavoma ivyo ukeneye.

Mu gusozera, ku buryo buramvuye Karumeli, irakira nk'Umuvyeyi abakristu bose bunze ubumwe nayo biciye mu kwambara Isikapurari. Abo rero kubw'ubuzima barimwo, imibereho n'imirimo itandukanye bajejwe barahimbarwa no kuba mu muryango wa Karumeli mu gusangira n'Umuryango iyo uva ukagera ingabirano z'umutima zijanye n'Isikapurari.

Biranezereye cane gushobora kwerekana aya mategeko atunganya akongera akubaka Umuryango wa Karumeli. Mu vy'ukuri, abafurera b'abakarume bakorera mu Burundi no mu Rwanda barabana akanyamuneza n'umwitwarariko mwinshi iryo sinzi ry'abantu biyeguriye Bikira Mariya biciye kw'Isikapurari. Nico gituma tumaze kwihweza ivyo abakristu bakeneye mu vy'umutima na cane cane mu mwitwarariko wo gutunganya ku rugero rumwe imigirwa n'amasabo yisunga akarangamutima ka Karumeli n'inyigisho y'Ekleziya, tubahaye ayo mategeko azobasha kubona ivyo kwisunga n'ugukura ibiza kwivangamwo bidakenewe. Turizera ko ayo mategeko azofasha abambaye Isikapurari bose n'abo bose bafise umwitwarariko wo kumenya akarangamutima ka Karumeli n'ugukurikira cane cane Umukama wacu Yezu Kristu k'urugero rw'umwe wese bivanye n'ingabirano ziwe.

Umuvyeyi Bikira Mariya we mwamikazi n'ubwiza bwa Karumeli n'adusabire twese imisi yose kandi atunywanishe ku musi ku musi n'Umwana wiwe.

Vyemejwe ku wa14 Myandagaro

DELEGATUS PROVINCIALIS OCD BURUNDI-RWANDA

Patiri Frederiko Jaworski,ocd

Aserukira Umukuru w' Intara ya Karakoviya (Délégué provincial)

MATEGEKO AGENGA ABARI MU MURYANGO W'ISIKAPULARI Y'UMUGABEKAZI WO KU MUSOZI KARUMELI MU RWANDA NO MU BURUNDI

Muri rusangi

1 Umuryango w'Isikapurari y'Umugabekazi wa Karumeli witwa kandi Umuryango wa Sikapurari, ni **Umuvukano** w'abakristu balayike barondera kuba kuri iyi si mu rukundo rw'ukuri nk'uko amategeko y'Umuryango w'abakarume abivuga, mu gusangira ubuzima n'ivyiza vy'umutima, mu guhuza ivyiyumviro, ivyipfuzo n'ibikorwa na Bikira Mariya.

2 Umuvyeyi Bikira Mariya wa Karumeli niwe muvunyi w'uwo Muryango.Umusi mukuru cane wamuhariwe ukaba uhimbazwa kw'igenekerezo rya 16 Mukakaro.Uwo musi abagize Umuryango bawuhimbaza mu rukundo ntangere bakanasubira kwiyegurira Bikira Mariya kandi bongera basabira Umuryango wose wa Karumeli.

3 Umuntu afise ububasha bwo gutanguza Umuvukano mushasha ni umukuru w'Umuryango w'abakarume. Mu gihe ari isengero yegukira uwo Muryango uruhusha rwo gutanguza umubano rutangwa n'uwurongoye aho hantu; urwo ruhusha ruba rurimwo ibisabwa bikwiye vyo gutanguza umuvukano. Mu gihe naho ari irindi sengero birakenewe ko haba hatanzwe uruhusha rwanditswe n'umwungere wa Diyoseze.

4 Ubuyobozi bw'intara y'abakarume ya Karakoviya buriyemeje kwitwararika imiryango (Imivukano) y'isikapurari iri mu ma Diyoseze y'Uburundi n'Urwanda.

5 Imigenderanire iri hagati y'imivukano y'Isikapurari n'Umuryango w'abakarume ibungabungwa n'ibi bikurikira:

Uguhwana rimwe mu mwaka ku rwego rw'igihugu ikibeho mu Rwanda no mu Burundi i Gitega mu mubano wacu wo kwiherera ku wa gatandatu wa mbere ukurikira umusi mukuru cane wa Bikira Mariya Umugabekazi wa Karumeli.

Rimwe mu myaka itatu uwuserukira umukuru w'Intara ya Karakoviya aragira urugendo rw'ubutumwa ku miryango y'Isikapurari. Indongozi itegerezwa gutunganya imyiherero n'ukwinagura kw'indemesha z'imiryango ya Sikapurari.

6 Amategeko y'Umuryango yemejwe n'uwuserukira umukuru w'Intara ya Karakoviya abanje kubaza abahanuzwajambo biwe.

IKIGABANE CA MBERE

Intumbero y'Umuryango w'Isikapurari

7. Intumbero y'umuryango w'Isikapurari ni iyo gufasha umunywanyi wese gutera imbere mu bweranda yisunze akarangamutima ka Karumeri uwo ukaba ari n'umuhango w'umukristu wese w'umulayike.

8. Abagize umuryango baratumiriwe kuba mu bunywanyi n'Imana nka kurya kwa Bikira Mariya babicishije mu gisabisho, babwirizwa gutera imbere muri ico gisabisho kibe ica misi yose ngo giherekeze ubuzima bwabo bwa misi yose kandi congere gikomeze umuntu mu kurangura ivyo ashinzwe.

9. Abanywanyi b'Umuryango bashemeza Umuvyeyi Bikira Mariya mu kuzirikana ubuzima bwiwe, mu kwigana ingeso nziza ziwe, mu kumenyesha hose amasabo ya Bikira Mariya no mu gukundisha abandi Umuvyeyi Bikira Mariya.

10. Umuryango w'Isikapurari uriyemeza gukora ubutumwa nk'uko bitunganijwe mu nama nkuru ya Vatikano ya kabiri mw'itegeko ry'ubutumwa bw'abalayike, bafatiye ku kuntu bisanzwe bitunganijwe neza mu butumwa bw'Abakarume. Ubutumwa nderamutima n'ubw'Isikapurari ni ngombwa burakundwa. Hambavu y'ivyo mu gihe bishoboka abagize Umuryango bariyemeza kuja mu butumwa butandukanye bwa Paruwase.

IKIGABANE CA KABIRI

UKO UMURYANGO WA SIKAPULARI UTUNGANIJWE

11.Umuryango utunganijwe uku gukurikira:

- Indogozi (Modérateur)
- Indemesha(Animateur)
- Icegera c'indemesha (vice-animateur)
- Umwanditsi(Secrétaire)
- Umushinguzi (Trésorier)

12. Indongozi(Modérateur)

Kw'isonga ry'Umuryango w'Isikapurari hari Indongozi, ku miryango yashinzwe hafi y'imibano y'abakarume indongozi n'umukuru w'umuryango; ku yindi naho ni patiri mukuru wa paruwase. Muri ubwo buryo bubiri bwose hashobora kuba uwuba yaragenywe na Patiri mukuru w'Umuryango canke na Patiri mukuru wa Paruwasi.

Indongozi irafise uburenganzira bwo kwakira abantu mu muryango w'Isikapurari (20-23) niwe ajejwe kuraba uko umuryango ukora n'uguha inyigisho abanywanyi b'Umuryango (27) mu makoraniro y'inyigisho no mu mahwaniro ya buri kwezi nk'uko vyateguwe n'uwuserukira

umukuru w'Intara ya Karakoviya. Indongozi itegerezwa kuremesha amahwaniro y'ugusenga mu gushemeza Bikira Mariya.

Indongozi niyo yemeza itorwa ry'indemesha y'umuryango (13) n'icegera ciwe kumwe n'abandi baba batorewe amabanga atandukanye mu muryango (17) .

Mu rugendo rw'ubutumwa rw'uwuserukira Umukuru w'Intara, uwurongoye umuryango arerekana icegeranyo c'ibikorwa n'ubuzima bw'umuvukano hamwe n'igitabu canditsemwo abahurikiye muri uwo muvukano.

Indongozi irafise uburenganzira bwo kwirukana umunywanyi w'umuryango (24-27). Indongozi irafise ikidodo (18) .!!!!

13 <u>Indemesha (Animateur)</u>

Indemesha itorwa n'abanywanyi b'umuryango na benshi mu baraho akarangura ubwo butumwa mu kiringo c'imyaka itatu. Iryo torwa ritegerezwa kwemezwa n'indongozi.

Ibikorwa vy'indemesha: kuremesha no gutunganya ibikorwa bisanzwe vy'umuryango afashanije n'icegera ciwe kandi yahawe uruhusha n'indongozi.

Mu rugendo rw'ubutumwa rw'uwuserukira umukuru w'intara ya Karakoviya (5) indemesha hamwe n'icegera barerekana uko umuryango umeze. Indemesha iragena abazokora ibikorwa no mu migambi bizotunganywa n'umuryango. Indemesha itegerezwa kwitaba umwiherero watunganijwe n'uwurongoye intara y'ubutumwa kugira baremeshe imiryango ya Sikapurari.

14 <u>Icegera c'indemesha (vice-animateur)</u>

Icegera c'indemesha gitorwa n'abagize umuryango na benshi mu baraho akarangura ubwo butumwa mu kiringo c'imyaka itatu. Iryo torwa ritegerezwa kwemezwa n'Indongozi. Ategerezwa kwitaba umwiherero watunganijwe n'Indongozi kugira baremeshe imiryango y' Isikapurari.

15 **<u>Umwanditsi (secrétaire)</u>**

Umwanditsi atorwa n'abagize umuryango na benshi mu baraho akarangura ubwo butumwa mu kiringo c'imyaka itatu. Iryo torwa ritegerezwa kwemezwa n'Indongozi.

Igikorwa ciwe ni ico kwandika ibihe bikuru bikuru kumwe n'ibiba vyaranguwe mu buzima bw'umuryango n'ukwuzuza k'umusi k'umusi mu gitabu c'umuryango. Mu rugendo rw'ubutumwa rw'uwuserukira umurkuru w'intara ya Karakoviya umwanditsi arerekana uko umuryango ubayeho akerekana n'igitabu c'umuryango.

16 **<u>Umushinguzi (trésorier)</u>**

Umushinguzi atorwa n'abagize umuryango na benshi mu bari aho akarangura ubwo butumwa mu kiringo c'imyaka itatu. Iryo torwa ritegerezwa kwemezwa n'Indongozi.

Igikorwa ciwe ni ico kwegeranya intererano zitanzwe n'abanywanyi k'urugero rw'umwe umwe kugira ngo umuryango ubandanye ukora neza wongere urangure ivyo ushinzwe arongera kandi akabungabunga ivyo yabikijwe atibagiye no gutegura icegeranyo c'ikoreshwa ry'uburyo.

17 Bivanye n'ivyo umuryango ukeneye birashoboka ko hagenwa abandi bafasha mu butumwa kugira ngo umuryango ubandanye umera neza.

18 Umuryango urafise ikidodo.

19 Umubano wotegerejwe kuba ufise ibitabu bizwi: igitabu kirimwo urutonde rw'abanywanyi b'umuryango n'igitabu kirimwo ibiraba umuryango.

IKIGABANE CA KANE

IBISABWA MU KWEMERERWA MU MURYANGO

20 Kugira ngo ushobore kuba umunywanyi w'umuryango wa Sikapurari utegerezwa kuba uri umukatorika abigendera kandi yaraganiye afise ugushaka kw'ukurangura ibisabwa umunywanyi w'umuryango.

21 Uburenganzira bwo kwakira umunywanyi bufiswe n'Indongozi y'intara y'ubutumwa n'uwa karere canke umupatiri yagenwe na patiri mukuru w'Umuryango wa Karumeri(Umwibutsamana).

22 Mu kwakirwa mu muryango haba umugirwa wo kwambikwa Isikapurari nk'uko vyemejwe n'icicaro gikuru ca Ekleziya. Umugirwa wo kwambikwa Isikapurari ubwirizwa kwemezwa n'iyandikwa mu gitabu c'umuryango ry'izina, iritazirano, itariki y'amavuka, aho uba n'itariki winjiriyeko mu muryango.

23 Ukwakirwa mu muryango biba ku musi mukuru w'igenekerezo rya 16 mukakaro canke mu kindi kiringo cose gishinzwe n'abarongoye umuryango.

24 Ukuba mu muryango bihagarara:

-Iyo umunywanyi yandikiye Indongozi ikete ryo kumenyesha ko avuye mu muryango.

-Iyo indongozi yirukanye umunywanyi mu kumuha ikete.

25 Uwurongoye Umuryango w'Abakarume canke uwumuserukira mu Burundi arashobora gufata ingingo yo kwirukana umunywanyi mu gihe: Umunywanyi anebaguye ukwemera kwa Ekleziya Katorika, mu gihe agize ibikorwa vyonona umuryango no mu gihe arenze amategeko y'umuryango. (Hobanza kuba ibihe vyo kugendera uyo munywanyi mu kumuha impanuro bakurikije ubwitonzi, urukundo n'ikigongwe .Vyoba vyiza babanje guhoyahoya umunywanyi mu kumugabisha.)

IKIGABANE CA GATANU

IMIHANGO Y'ISIKAPURARI N'UBURENGANZIRABW'ABANYAMURYANGO

26 Imihango yahawe abambaye Isikapurari:

-Uwupfuye yambaye isikapurari ntazoturirwa n'imbeya z'umuriro udahera.

-Uwambaye Isikapurari nk'umukunzi wa Bikira Mariya arakingirwa n'uwo Muvyeyi amasanganya y'umutima n'umubiri na cane cane mu gihe c'ugupfa.

-Uwambaye isikapurari akazigama ubwerentegerwa mu buzima bwiwe yisunze umutigiri w'ubuzima rukristu arimwo azovanwa mw'ipurugatori ku wa gatandatu ukurikira urupfu rwiwe.

-Uwambaye Isikapurari afitaniye ubunywanyi n'Abakarume n'abakarumelita kandi basangiye n'ivyiza vy'umutima mu buzima bwiwe n'inyuma y'urupfu: ku bw'imisa, ugusangira, ukwibabaza n'indurujensiya, amasengesho n'ukwisonzesha…

27 Abagize umuryango barafise uburenganzira bwo gufashwa mu vy'umutima n'indongozi ngo bashobore gusangira ubuzima n'ibikorwa vy'umuryango. Barafise uburenganzira bwo gufashwa cane cane mu vy'umutima n'Uwuserukira Umukuru w'Intara ya Karakoviya.

28 Abanywanyi b'umuryango barashobora kuronka indurujensiya ya rwose ariko babanje (kwirega,gusangira,gusabira Papa n'umwidegemvyo mu mutima mu kwirinda igicumuro cose) mu bihe bikurikira:

-Umusi wo kwinjira mu muryango wa Sikapurari.

-Umusi mukuru w'ukwibuka Simoni Stoki kw'igenekerezo rya 16 Rusama.

-Ku musi mukuru cane wa Bikira Mariya Umugabekazi wa Karumeri kw'igenekerezo rya 16 Mukakaro.

-Ku musi mukuru w'umuhanuzi Eliya kw'igenekerezo rya 20 Mukakaro.

-Ku musi mukuru wa Tereziya w'Umwana Yezu mweranda kw'igenekerezo rya1 Gitugutu.

-Ku musi mukuru cane wa Tereza wa Yezu mweranda kw'igenekerezo rya 15 Gitugutu.

-Ku musi mukuru w'aberanda bose ba Karumeli kw'igenekerezo rya 14 Munyonyo.

-Ku musi mukuru cane wa Yohani w'umusaraba mweranda kw'igenekerezo rya 14 Kigarama.

29Abagize umuryango bari n'uburenganzira bwo kwambara Isikapurari nini canke ikanzu yera y'umuryango(akajabitugu) bivanye n'imigenzo y'aho bahererereye na Paruwase barimwo mu bihe bikurikira:

-Mu mahwaniro ya liturujiya y'umuryango.

-Mu ngendo nyeranda za liturujiya zatunganijwe na paruwase.

-Ukwambara ivyo bimenyetso biboneka uri ahatari mw'i Paruwase utegerezwa kuba wabimenyesheje Indongozi.

30 Abagize umuryango baranguye neza ibitegerezwa vy'umuryango bari n'uburenganzira bwo guhambwa bambaye iskapurari nini canke ikanzu (akajabitugu)

IKIGABANE CA GATANDATU

IBITEGEREJWE ABANYAMURYANGO

31Abagize umuryango barategerezwa gufata akanya ko guhura n'umukama mu gisabisho, bagahabwa kenshi Ukaristiya, bagasenga kandi bakoresheje amazaburi, bakavuga ishapure. Bategerezwa kwihereza Umuvyeyi Bikira Mariya kugira ngo abakingire mu buzima bwabo bwa misi yose,bakamushikiriza kenshi udusabisho tuvuye ku mutima.

32 Abagize umuryango bambarana urukundo imisi yose isikapurari nk'ikimenyetso c'uko biyeguriye Bikira Mariya wa Karumeli. Isikapurari igizwe n'udupande tubiri tw'impuzu y'ibara ry'umukugutu dufatanijwe n'utugozi tubiri. Iyo umuntu yamaze kwambikwa Isikapurari arashobora kuyisubiriza n'umudari. Ku ruhande rumwe rw'umudari hariko umushaha wa Yezu ku rundi ruhande hariko Bikira Mariya wa Karumeli. Mu gihe izo sikapurari zaheze zisubirizwa ata migirwa yo kwambikwa n'iyo guhezagira ihabaye.

33 Abanyamuryango baritaba amanama atunganijwe n'umuryango niho bahurira hamwe kandi bakagira umuvukano. Niho bakomerera mu karangamutima ka Karumeri,bakamenyana, bakitanaho mu kumenya ivyo abanyamuryango bakeneye bisunze akarorero ka Bikira Mariya. Amanama yisunga ibi bikurikira:

- Gushemeza Bikira Mariya mu Nkuka ya Misa ya Bikira Mariya wa Karumeli canke mu bisabisho vy'urukundo, mu ndirimbo z'ugushemeza Umugabekazi,….

-Kwinagura mu karangamutima ka Karumeli mu manama y'inyigisho.

-Guhimbaza aberanda b'i Karumeri.

-Gufashanya n'abavukanyi nk'uko Bikira Mariya yabiduhayeko akarorero.

- Gusabira abapfuye bo mu muryango wa Sikapurari.

34 Mu kwitegurira umusi mukuru cane wa Bikira Mariya wa Karumeli abanyamuryango umwe ukwiwe canke bari hamwe baragira igisabisho c'imi icenda ikurikirana (neuvaine)

35 Kuri uwo musi mukuru cane abanyamuryango barategura Inkuka y'Imisa.

36 Ku wa gatandatu ukwirikira igenekerezo rya 16 Mukakaro umuryango uraja mw'ihuriro riba ku rwego rw'igihugu ryatunganijwe n'Umwibutsamana, rikabera i Gitega mu Burundi n'i Kibeho mu Rwanda.

37 Abanyamuryango barateresa umuryango bivanye n'uburyo bw'umwe umwe mu bikorwa vy'umuryango.

38 Umuryango urakorana n'iyindi mihari ya Ekleziya Katolika.

39 Ibi bimenyeshejwe aho haruguru birategerezwa kurangurwa ariko ukubirengako si igicumuro.

ABIBUTSAMANA B'IMIGWI YA SIKAPURARI

BURUNDI

Patiri Yohani- Mariya Vianney.SAKUBU,OCD

Ikigo c'Ukwiherera

Agasandugu k'amakete 80 GITEGA

Tél +25779166639 ;76330456

Email :vianneysakubu@rocketmail.com

RWANDA

Patiri Yohani Kolode NDATIMANA,OCD

Inzu y'irerero Muvyeyi wa Karumeli (MATER CARMELI) i BUTARE

Tél :+250252530465 ;0785027182

Email : ndatimanajem@yahoo.fr

AHANDI MUSHOBORA KURONDERERA ABAKARUME MU RWANDA NO MU BURUNDI

Paroisse Musongati (Burundi

Bujumbura imbere ya Catederare Umugabekazi w'Isi (Regina Mundi)

Paroisse Gahunga (Rwanda)

Bihinduwe mu Kirundi na Furera Y-M Viyane SAKUBU, w'Umugabekazi w'i Rozari Umukarume